# Ibiro Bijejwe ivy'Indimi (Office of Language Access)
## Inzira yo kwitwara mu Bijanye n'Indimi

Uru rwandiko rusobanuro intambwe uwitwara akurikiza mukurega sentare y'intango mu gihe itashoboye kumuronderera umusiguzi canke ubundi bufasha bukenewe mu rubanza. Uwitwara ashobora kuzuza buri birego bijanye n'ingorane z'ururimi yahuye nazo mu mubonano yagiranye na sentare y'ubutungane ya Kentucky (Kentucky Court of Justice). Turabasaba kumenya yuko kuzuza iki kirego c'indimi bidakuyeho ingingo zafashwe n'ubutungane canke urutonde. **Mu gihe uwitwara arungitse uru rwandiko, ibiro bijejwe ivyindimi (Office of Language Access) rumuha ibikenewe vyose vyerekeye ururimi yipfuza, harimwo n'umusiguzi wogufasha uwitwara kuzuza ibikenewe mu birego vyiwe**

**1. Gutanga ibirego.** Umuntu ashobora kwitwara akurikije zino ngingo zikurikira:

- Ibirego bishobora kuzuzwa no kurungikwa **ku murongo mukoresheje ubuhinga ngurukana bumenyi**.
- Ibirego bishobora kuzuzwa kw'iterefone mugahamagara kuri nimero 502-573-2350 mugasaba kurungikwa ku Biro Bijejwe ivy'Indimi. Hamwe n'ubufasha bw'umusiguzi, umwe mubakora mu biro bijejwe ivy'indimi avugana n'uwitwara agatororokanya amakuru yose akenewe kugira ashobora kuzuza ivyo birego.
- Ibirego bishobora kuzuzwa mukwandika ikete rikarungikwa hano hantu hakurikira

Administrative Office of the Courts(Ibiro vy'Ubuyobozi bwa Sentare)
Menya Neza: Ibiro Bijejwe ivy'indimi
1001 Vandalay Drive
Frankfort, KY 40601

**2. Gushikirizwa.** Ibiro bijejwe ivy'indimi bazihweza ivyanditswe n'ivyakiriwe bivuye kuwitwara. Bamaze kuvyakira, mu gihe basanze ibirego bifise ishingiro, ibiro bijejwe ivy'indimi bahereza uwitwara inomero yo gukurikirana ibirego vyiwe. Ariko mu gihe basanze ibirego bidafise ishingiro igihe bishikirijwe, ibiro bijejwe ivy'indimi bazohagarika ibirego hanyuma bamenyeshe uwitwara ko ntazindi ngingo zindo zizofatwa.

**3. Imenyeshwa ry'ibirego.** Kiretse iyo hari ibibazo vyihutirwa, ibiro bijejwe ivy'indimi basubiza uwitwara mu misi 10 y'akazi mw'ikete, imeyire canke guhamagara kw'iterefone kugira bamumenyeshe ko ibirego vyiwe vyakiriwe. Muruyo mwanya ibiro bijejwe ivy'indimi bashobora gusaba ayandi makuru canke ibindi vyangombwa yoba afise muruyo mwanya wo kumenyesha kugirango bashobore gukora itohoza ry'ivyo birego. Mu gihe ari ivyihutigwa (nk'akarorero, ibirego vyerekeye ukwumviriza kuzoba imbere y'iminsi 10 y'akazi), ibiro bijejwe ivy'indimi bazokora mukunyaragasa imenyeshwa n'itohozwa ry'iberego kugira batorera inyishu ibibazo mu kiringo ca vuba.

**4. Kumenyesha sentare y'intango.** Tumaze kuronka amakuru yose n'ivyangombwa vyose, ibiro bijejwe ivy'indimi bazorungikira ikete sentare y'intago ryibirego vyatanzwe kugira bamenyeshe sentare yitango ko ibirego vyashikirijwe n'uwitwara. Amajambo y'ibirego vyose azoba yanditswe muriryo kete. Turabasaba kumenya yuko buri birego vyerekeye umukozi w'ibiro vy'indimi canke umupatanyi wabo Bitunganywa n'ibiro vy'ubucamanza vya Kentucky (Kentucky Administrative office of the court) bakurikije ingingo n'amategeko yashizweho ajejwe indero y'abakozi**.**

**5. Itohozwa ry’ibirego**. Ibiro bijejwe ivy'indimi bizokora itohoza ry’urutonde rw'ibirego mu minsi 10 y'akazi guhera ku munsi bamenyesheje sentare y'intango ishikirizwa ry’ibirego. Nubwo ishingiro ry'itohozwa rivana naburi kirego, hashoboka kongerwako ibindi harimwo ibiganiro nabarabwa nivyo birego harimwo umucamanza, umwanditsi n'umusiguzi, n'ivyanditswe ni vyangombwa vyose vyashizwe hamwe mu gihe c'ivyo biganiro.

**6. Isubirwamwo ryakozwe n'ibiro vy’ubutungane** (**Office of Legal Services).** Bamaze kurangiza itohoza, ibiro bijejwe ivy'indimi bazorungikirwa ivyatohojwe, hamwe n'inyandiko zose n'umugambi watanzwe wo gutunganya ikibazo, ku biro vy'ubutungane bavyihweze. Dukurikije intambwe ibiro vy'ubutungane zizotanga, ibiro bijejwe ivy'indimi bazomenyesha sentare y'intango gukurikiza ingingo zatanzwe mu gutunganya ibirego canke basabe sentare 'yintango gushiraho ingingo nshansha, canke bahanure sentare y'intango ko ibirego bidafise ishimikiro. Sentare y'intego izosabwa kurungikira ibiro bijejwe ivy'indimo urwandiko rwerakana ishirwaho ry'imigambi canke intererano zo gutunganya ibirego.

**7. Kumenyesha uwitwara**. Ibiro bijejwe ivy'indimi bazorungika ikete ku uwitwara mu minsi 10 y'akazi bahereye ku munsi w'iyakirwa amenyeshwa ido nido ry'ingingo zafashwe na sentare y'intango mu gutorera inyishu ibirego .

**8. Ishingiro n’icese ku mugaragaro**. Ibiro bijejwe ivy’indimi Bizogumana ishingiro y'ibirego n'ingingo zafashwe zokubitorera inyishu, zizoshikirizwa icese ku mugaragaro mu gihe bisabwe

**9. Biribujijwe guhohotera.** Nta witwariwe canke uwundi muntu yemerewe gukoresha iterabwoba canke kwirengangiza umuntu uwariwo wese kuntego zo guhungabanya agateka canke umwidengevyo wafashwe n'ingigo za gatandatu (Title VI) canke kubera yagiye kwitwara, gushinga intahe, gufasha, canke wagize uruhare mwitohozwa, mwikurikiranwa canke mu kuburana munsi y’izingingo 28C.F.R.S 42.108(e)